# *Ukwisonzesha kwa Yesaya 62- imisi 21 yo gusenga no kwisonzesha (Rusama7-28, 2023)*

Ifadikanye n'abakristo barenga umuriyoni 1 bazitanga kubwo gusengera Isirayeli nk' isaha imwe canke irenga ku musi mu misi 21 (Rusama 7-28) kubw'ukugwira kw'amasezerano n'imigambi y'agakiza k'Imana kuri Yerusalemu na Isirayeli. Hari abazosenga ari bonyene n'abandi bazosengera hamwe ari nka babiri canke barenga (Mat. 18:20)—bakoreye mbuga ngurukanabumenyi canke barikumwe—mu rugo rwabo, ku kazi, mu buraro, canke kw'ishengero iwabo, n'ahandi.

Ugukorera hamwe kw'imirwi rukristo myinshi cane—harimwo na Lou Engle, Jason Hubbard, Mike Bickle—bariko bahamagara abakristo umuriyoni kuzitabira iteraniro rikomeye ry'isi yose (Rusama 7-28) mu kwisonzesha mu buryo butandukanye maze tugasengera imigambi y'Imana kuri Isirayeli kandi tukayisaba guhagurutsa imiriyoni 100 y'abinginzi basengera Isirayeli nk'uko isezerano ryayo rivuga muri Yesaya 62:6 kugira ngo "ishireho," "yitorere," canke "ishire ikimenyetso" ku binginzi bazibutsa UHORAHO amasezerano yiwe.

***Ewe Yerusaremu, nshizeho abashibamyi hejuru ku nzitiro zawe z'amabuye;ntaho bazocereza ku murango no mw'ijoro, yemwe [abinginzi] abibutsa UHORAHO, ntimukaruhuke; [7]Kandi na we ntimwemere ko aruhuka, gushitsa aho azovyurira Yerusalemu akahahindura ishimwe mw'isi [ku kugaruka kwa Yesu]. (Yes. 62:6-7)***

Mu misi 10 ya mbere yo kumenyesha uku kwisonzesha, kw'igenekerezo rya 7 /3, abantu barenga 300,000 barabonetse bazitabira iki gikorwa mu buryo butandukanye. Gushika kw'igenekerezo rya 7/5/2023, iki gitigiri kizoba kiri hejuru y'abantu umuriyoni 1 baziyemeza kwisonzesha muri iyi misi 21 mu buryo butandukanye (Hari abafunga kunywa amazi, hari abafunga kurya ivyamwa, canke gufata ibinyobwa, canke gufungura ku murango, ndetse hariho n'abazifunga "gukoresha imbuga ngurukanabumenyi" mu gishingo c'imfungurwa, n'ibindi n'ibindi).

Inzu yo gusengeramwo yo muri ***IHOPKC*** yiyemeje guhimbaza no gusenga vy'ikibiriraho ata guca mu kiringo c'indwi zitatu amasaha 24/7 (Rusama7-28) kubwa Isirayeli. Abakozi barenga 300 bo muri IHOPKC umwe wese muri bo yariyemeje kuzomara amasaha ***6-12 ku musi mu kiringo c'iyo misi yose 21***. Ndashima cane kubw'inyishu yabo bantu kuba baremeye gushira ku ruhande ibikorwa vyabo vya misi yose kugira ngo bakore iki gikorwa! Inzu yo gusengeramwo yo muri IHOPKC ni ihuriro rimwe mu ***mahuriro menshi cane*** yiyemeje gukora iki gikorwa. Ukeneye kumenya vyinshi kubijanye n'uko ishengero ryawe canke uwundi murwi rukristo wohinduka IHURIRO muri iki gikorwa tereza ijisho ngaha: *Isaiah62Fast.com* canke ku rubuga rwa Facebook wanditse *Isaiah62Fast* na (https://rb.gy/8orcjp).

Uru rubuga rwa *Isaiah62Fast.com* rurerekana amashengero, imirwi iri mu gikorwa c'Imana, imigwi ihwana kubw'ivyigwa vya Bibiliya, imigwi y'urwaruka, n'iyindi myinshi y'abipfuza kuba "IHWANIRO" ririko ritanga uburyo bwo gushigikira muri ico gikorwa, hagumeho itumatumanako ry'amakuru rimeze neza n'ibindi bitandukanye mu guhamagarira abandi kwitabira ayo masengesho y'imisi 21 (Rusama 7-28). Nimba ushaka kumenya amakuru y'uko ishengero ryawe canke umugwi uriko ubikora ubisanga kuri *Isaiah62Fast.com* , fyonda aho hasa n'ubururu nimba ukeneye kumenya vyinshi.

Uru rubuga rwa *Isaiah62Fast.com* nta na bamwe rwerekeza kuvy'ivyizerwa vyabo ku vyerekeye inyuma y'urupfu ariko rurahamagarira abizera bavuye mu mihingo yose n'imigwi yose kuzitabira ico gikorwa.

**Kubera iki imiriyoni 100?**

Mu myaka atari mike, Imana yarahishuriye abantu batandukanye igitigiri c'***imiriyoni 100 y'abinginzi*** bo gusenga kubwa Isirayeli mu buryo butandukanye. Eric Watt, Jason Hubbard (IPC), hamwe n'umurwi w'abandi bantu baragendeye muri IHOPKC incuro nyinshi mu myaka iheze. Abo bahagarariye igikorwa gifise abarongozi bama baganiriza igihe cose b'***imigwi y'urunani 5,000+ yo gusenga ihurikiyemwo abakristo barenga imiriyoni 130*** (igihe numva ivyo bitigiri ku ncuro ya mbere vyarangoye kuvyizera). Aho baheruka kutugendera mu kwezi kwa 12/ 2022, batuganiriye ko abarongozi 5,000+ b'iyi mirwi y'urunani rwo gusenga hamwe n'abinginzi imiriyoni 130 bazifatanya nabo maze bagahagurukira rimwe bagasengera akarere kamwe k'isi, uwu mwaka wa 2023 bakabikora incuro 4 mu ntumbero y'igikorwa c'Imana kw'isi yose bise ***110cities.com(ibisagara 110.com)***. Nararengewe ndiko ndiyumvira ukuntu iyi ari yo ncuro ya mbere mu mateka y'isi yose aho abakristo bashika imiriyoni 100 bazosengera igihugu kimwe babikorere rimwe bose ku musi umwe kandi incuro 4 mu mwaka umwe (Tereza amaso muri Yoh. 17:21-23).

Aba bantu imiriyoni 100 barasengeye Ubushinwa mu kwezi kwa mbere igenekerezo rya 22, 2023. Bazosengera akarere kagize ibihugu ***vy' Uburengero bwa Aziya (Moyen Orient).*** kw'igenekerezo rya 17, na ***Isirayeli igenekerezo rya 28 /5***, n'***Ubuhindi*** mu kwezi kw'icumi igenekerezo rya 31. Aba bakristo imiriyoni 100 bariyeguriye umwami Yesu bikwiye kandi barihaye gushitsa itegeko rikuru ryo guhindura abantu abigishwa ba Kristo, ariko benshi muri bo ntibarifatanya n'unugambi uvugwa muri Bibiliya w'Uhoraho kubwo gusengera Isirayeli. Ariko kuri uwu musi umwe (Rusama 28) iyi miriyoni 100 izosengera Isirayeli nk'uko babikoze ku Bushinwa mu kwezi kwa Mbere 22,2023. Ariko kubw'iyi misi 21 izorangira kw'igenekerezo rya 28/5, ***Umuriyoni 1+*** w'abinginzi uzisonzesha kandi usenge usaba "Mpwemu Yera gufata mpiri abizera" mu gushira ikimenyetso ku mitima y'aba bantu imiriyoni 100 kubw'intumbero zayo ifitiye Isirayeli.

**Incamake:** Ifadikanye n'abakristo barenga umuriyoni 1 bazitanga mu gusengera Isirayeli nk'isaha imwe canke irenga—bakabikora ari bonyene, babiri canke barenga (Mat. 18:20) bahwaniye ku mbuga ngurukanabumenyi canke bari hamwe—kugira ngo basengere Isirayeli maze basabe Mpwemu ngo ashire ikimenyetso ku bizera imiriyoni 100 bazohagurukira rimwe bagasengera Isirayeli igenekerezo rya 28 Rusama.

***Isaiah62Fast.com***

**Ukwisonzesha kwa Yesaya 62 kw'isi yose**

**KUBERA IKI DUHA AGACIRO CANE GUSENGERA YERUSALEMU NA ISIRAYELI?**

Ukwihana kw'ihanga rya Isirayeli (Ivyak. 3:19) no kwatura ko Yesu ari Mesiya (Mat. 23:39) birafatanye cane n'ivy'ukugaruka kwa Yesu, n'itegeko rikuru ryo guhindura abantu abigishwa biwe, hamwe no "kuzuka kw'ubugingo buvuye mu bapfuye" kw'isi yose (Abaroma 11:15). Yesu ntazoza kugeza aho abategetsi b'i Yerusalemu bazomumenya nka Mesiya nk'uko bivugwa muri Zaburi 118:26.

*[37]"Ewe Yerusalemu, Ewe Yerusalemu…[39]ndababwira ko* ***mutazosubira kumbona*** *[icerekana ukugaruka kwa Yesu]* ***kugeza aho muzovuga****,bati :* ***'Hashemezwe uwuje[Yesu] mw'izina ry'UHORAHO****[Uku niko, kumumenya no kumwakira nka Mesiya—Zaburi 118:26].'"* ***(Mat. 23:37-39)***

[19]Nuko nimwihane, muhindukire, ivyaha vyanyu[Isirayeli] bihanagurwe, ibihe vyo guhembuka bibone ingene biza,… [20]Kugira ngo nayo ize itume Yesu Kristo… [21]Ariko ijuru rikwiye kumwakira [Kumugumya no kumugumiza mu buryo bwa Data] kugeza aho ibihe vy'impemburo no kunagurwa kw'ibintu vyose, ivyo Imana yavuze biciye mu kanwa…k'abavugisha bayo bose. (Ivyak.3:19-21)

[15]Ko gutabwa kwabo [kwa Isirayeli] kwazaniye abari mw'isi kwuzura n'Imana, ukugarukanwa kwabo[kwa Isirayeli] kuzoba gute ? Mbega ntikuzoba ubugingo buzutse mu bapfuye? [Aha harimwo umwuzuzo w'itegeko rikuru ry'Umwami Yesu] (Abaroma 11:15)

Turizera ko iyi misi 21 y' **Ukwisonzesha kwa Yesaya 62 kw'isi yose** izoba ikintu gikomeye mu kwandurutsa umuvuduko udasanzwe w'ibiganiro bishingiye kuri Bibiliya ku vyerekeye Isirayeli hagati y'abagize umubiri wa Kristo aho bari kw'isi yose muri iki gihe. Uku kwisonzesha kuzorangira ku musi wa Pantekote, hazoba ari ku musi w'Imana, igenekerezo rya 28/5. Kuri uwo musi, abakristo imiriyoni100 bazifatanya mu gusengera Isirayeli mu kwitaba igikorwa Imana iriko ihamagarira abantu gukora ibicishije mu bakozi bayo nka Jason Hubbard, Eric Watt, n'umurwi wa ***"110 Cities"*** kugira ngo babahimirize muri ubu buryo incuro 4 muri uwu mwaka wa 2023. Raba vyinshi kuri ***110 Cities.com***—Igenekerezo rya 17 mu kwezi kwa 4, iyi miliyoni 100 y'abakristo bazoba bariko basengera Ubuseruko bwo hagati bwa Aziya (Moyen Orient).

Ku vyo twebwe tuzi, ibi niho bizoba bikiba ***ku ncuro ya mbere mu mateka y'isi*** aho ibihumbi vyinshi cane bizoshishikara gusenga amasaha 24 yose ku musi bakabikora imisi 21 basenga kubw'amasezerano y'Imana kuri Isirayeli. Ikintu intumbero y'uku gusenga yisangije n'uko ari ikimenyetso c'ibihe no kwihuta cane "kw'igihe cashinzwe c'urunganwe rugiye kuzobaho rushasha" (Zaburi 102:13, 18).
[13]Uzohaguruka…ugirire imbabazi i Siyoni [Yerusalemu]; kuko igihe co kuhagirira ikigongwe gishitse, mbere igihe cashizweho kirashitse …
[18]Ivyo bizokwandikirwa ab'igihe kizoza ; ubwoko buzoremwa buzoshima UHORAHO. (Zaburi 102:13,18)

Iyi misi 21 y'ukwisonzesha iri mu "igihe ca Esiteri kw'isi yose" (Esiteri 4:14-16). Ibi bizoba ari ikiguzi gikomeye kirishwe kubw'ibihe vy'imperuka bihereza igihe ca Esiteri kw'isi yose aho imiliyoni myinshi y'abizera baziyemeza gusenga, bature bashize ubwoba amasezerano y'Imana kuri Isirayeli (nk'uko biri mu vyanditswe vyera), maze bifadikanye na Isirayeli nk'uko ubwansi bw'abagwanya Abayuda buzokomeza kugwira kugeza Yesu agarutse (Zekariya 14:1-5). Aya masengesho arakomeye cane ndetse no muri iki gihe nk'uko Isirayeli iriko ica mu mishwano myinshi cane.

***[14]"Kuko niwapfa*** ***kwihorera*** ***[ntugire ico uvuze] muri iki gihe,*** ***ntakizobuza Abayuda gutabarwa*** ***bakarokoka, ariko bivuye ahandi****…Ntawubizi,kumbure icatumye uba umwamikazi* ***ni ukugira ngo*** ***uzoseruke mu gihe nk'iki****?" [15]Maze Esiteri arabatuma yishura Moridekayi ati: [16]"Genda ukoranirize hamwe Abayuda bose…,* ***mwisonzeshe kubwanje****…, Nanje n'incoreke zanje tuzokwisonzesha …mpeze mbone* ***gushika ahou mwami ari****…kandi namba ndamukiwe no gupfa, mpfe!" (Esiteri 4:14-16)*

Ndashimira cane umurongozi Tom na Kate Hess barongoye inzu yo gusengeramwo y'i Yerusalemu imyaka 36 [***jhopfan.org***] na Rick na Patricia Ridings babaye abarongozi ba Succat Hallel muri Yerusalemu hafi y'imyaka ishika 20 [*succathallel.com*] ntibagiye n'iyindi migwi y'amasengesho imaze gushingwa muri iyi myaka mirongo 20+ iheze.

Muri uku kwisonzesha tuzoshira hejuru ubukuru bwa Yesu kandi dushimikire cane k'ugusabira imigisha y'Imana Yerusalemu mu gushitsa itegeko rikuru ry'umwami Yesu. Tugiye hamwe dushobora gukora vyinshi mu gihe turi mu "mpwemu ya Yohana 17:21-23" y'ubumwe.

Urashobora gutora igitabu citwa ***Moravian Miracle*** canditswe na Jason Hubbard kivuga inkuru yabaye y'uwitwa ***Zinzendorf*** yashize hamwe ugusenga kw'amasaha 24/7 (kwabandanije mu myaka ishika 100 ) hamwe n'ugutanguza umurindi w'ibikorwa vy'abo bita abahakanyi muri kahise k'amateka y'isi. Urashobora kuronka ico gitabu kiri muri PDF ku rubuga rwa *Isaiah62Fast.com* canke ugakurikirana inkuru yiwe mu kwandika kuri YouTube "**Zinzendorf the Rich Young Ruler"** canke ukurikirane ikiganiro ca vuba cabaye bavuga kuri we uciye kuri ***Remnant Radio***

DUKORA KUVA KU MUSI WA MBERE - KU W'IMANA : 8H00-20H00 ( Monday-Sunday 8:00 AM - 8:00 PM )

Tel : +257 62 86 79 02

***Isaiah62Fast.com***